KIRUNDI

ISUZUMWA RY'AMAGARA UMUNTU AGISHIKA MURI AUSTRALIYA
HEALTH CHECKS ON ARRIVAL IN AUSTRALIA

Intangamarara

- Abantu benshi bimukira muri Australiya ntibigeze baronka ingene bivuza neza mu bihugu babayemwo.
- Amagara mabi ashobora kuterwa n'ugufungura nabi, ahantu habi baba n'amazi mabi banywa.
- Abantu kandi bashobora kuba bafise ingorane z'amagara zivuye ku ntambara, kubura abantu bo mu muryango canke incuti, canke kuba bararenganijwe.

Isuzumwa ry'amagara rigirwa imbere yo gufata urugendo

- Abantu bamwe barasuzumwe kuvyerekeye amagara imbere yuko bashika muri Australiya, kandi bakashobora kuba barapimwe SIDA, igituntu n'izindi ngorane nka malarariya.
- Abandi nabo bashobora kuba baravuwe inzoka, canke bararonse urucanco rw'agasamwa n' amasambabwika.
- Isuzumwa ry'amagara imbere yo gufata urugendo rikorwa imbere y'amezi menshi bataratangura urugendo, kandi birashika ko usubira kugwara umaze kuronka inyishu. Kubera izomvo, zimwe birashika ko bazosubira kubapima mushitse muri Australiya.

Kuber' iki wogupima indwara ushitse muri Australiya?

- Ibi n'intambwe ikomeye mukugufasha kugira amagara meza ugishitse muri Australiya, kubera bashobora gutora indwara utarusanzwe uzi.
- Bagutoye indwara, bazokuvura basanzwe bikenewe.
- Umukozi wo kwa muganga arashobora kukurungika ku mavuriro adasanzwe kugira babandanye bagusuzuma, canke kuyandi mashirahamwe nk'ayaraba amagara y'abakenyezi, amenyo canke indwara zo mu maso, n'abashinzwe gutanga impanuro.

Iryo suzumwa ry'amagara rizoba rimeze gute

Isuzumwa ry'amagara rishobora kumara isaha imwe canke irenga, kandi rishobora kuba ryihweza ibikwirikira:

- Ibibazo vyerekeye amagara yawe
- Gusuzumwa umubiri wose
- Gufata amaraso, amasobe n'umusarani
- Gucandarwa.

Umukozi wo kwa mu ganganga ashobora kukubaza kwatangorane waronse zerekeye amagara imbere yuko ufata urugendo. Hari ibisata vyabigenewe bishobora kugufasha n'izi ngorane.

Bizoshika ngo uje ku mavuriro canke kwa muganga kenshi.

Wokwitegekanisha iki?

- Ikarata ya Medicare , canke inomero yayo, iri hafi
- Agatabo k'incandago n'ibindi vyerekana indwara zawe.

Hazokwirikir'iki bahejeje kugusuzuma?

Umukozi wo kwa muganga azogusaba kugaruka munyuma yaho inyishu z'ibipimo zibonetse. Ibi n'ukugira baguhe imiti bongere bagukwirikirane basanze bikenewe.

Ibi bikorerwa mu mw'ibanga

- Isuzumwa ry'amagara rikorwa k'ubuntu no mw'ibanga, kandi ntaco ryonona kubiraba ingene wasavye kuba muri Australia.
- Inyishu zose zo kwa muganga zifatwa mw'ibanga, kandi ntanumwe arakuriwe kuzimenya kiretse ababigenewe canke abo uhaye uruhusha. Abakozi bo kwa muganga ntibemerewe kuganira ivyerekeye amagara yawe n'uwundi muntu, kiretse abandi bakozi bo kwa muganga bashinzwe ivy'amagara.

Abasigura indimi mu zindi

Nimba Icongereza atari ururimi rwawe rwambere, umusiguzi m'ururimi rwawe azogufasha kuganira n'abakozi bo kwa muganga kigira ronke abakuvura neza. Wosaba umukozi wo kwa muganga kugira bakurondeze umusiguzi m'ururimi rwawe, canke ugahamagara ico bita **itelefone bahamara kugira baronke abasigura indimi muzindi** (**Telephone Interpreter Service)** kuri **131 450.**

Inyigisho zindi mushobora kuzisanga ahakwirikira